# Icemezo n'igisabisho vyo kwiyemeza gukurikira Yesu Kristo

Ndizera Imana imwe rudende, Umuremvyi wa vyose, Data mushobora vyose.

Ndahakanye ibindi vyose vyitwa "imana:"

Ndemeje yuko nacumuye ku Mana no ku bandi bantu. Muri ubwo buryo, naragambarariye Imana, ndayigarariza ngarariza n'amabwirizwa yayo.

Sinshobora kwicungura ivyaha vyanje.

Ndemera ko Yesu ari Kristo, Umwana w'Imana yazutse mu bapfuye. Yarampfiriye ku musaraba yikorera urubanza nari gucirwa ku bicumuro vyanje. Yarazuwe mu bapfuye kubwanje.

Ndavavanuye n'ivyaha vyanje.

Ndasavye ingabire y'imbabazi za Kristo, yaturonkeye ku musaraba.

Ndakiriye iyo ngabire muri kino gihe.

Ndahisemwo kwakira Imana nka Data , kandi nshaka koko kuba umwana wayo.

Ndasavye ingabire y'ubugingo bwamaho.

Uburenganzira ku bugingo bwanje ndabuhebeye Kristo, kandi nkamutumirira kunyiganzira nk'Umwami w'ubugingo bwanje kuva kuri uyu musi.

Ndahakanye kandi ndahevye ubundi bubasha bwose bw'impwemu. Na cane cane ndahakanye isezerano rya shahada n'ivyo vyose ryoba rintegeka.

Ndahakanye Satani n'ikibi cose. Ndasambuye amasezerano ateye kubiri n'Imana nagize n'impwemu z'ikibi canke ivyiyumviro vyose bifatiye ku kibi,

Ndahakanye imigenderanire yose iteye kubiri n'Imana mfise n'abandi bangizeko ububasha buteye kubiri n'Imana yacu.

Ndahakanye amasezerano yose ateye kubiri n'Imana yakozwe n'abo nkomokako mw'izina ryanje , yangizeko inkurikizi mu buryo ubwo ari bwo bwose.

Ndahevye kandi ndahakanye ubushobozi bwose bwo mu mutwe no mu mpwemu butava ku Mana muri Yesu Kristo.

Ndasavye ingabire ya Mpwemu Yera twasezeraniwe.

Mana Data, nunkize umpindure, kugira ngo nshobore gukora ndondera ubuninahazwa bwawe, wewe musa.

Rekura muri jewe icamwa ca Mpwemu Yera kugira ngo nshobore kuguha icubahiro no gukunda bagenzanje.

Ndemeje icese imbere y'ivyabona vy'abantu bagenzanje n'imbere y'abafise ubukuru mu mpwemu yuko niyeguriye kandi nishikanye burundu ku Mana muri Yesu Kristo.

Ndemeje yuko ndi uw'ijuru. Imana niyo inkingira. Mfashijwe na Mpwemu Yera, mpisemwo gukurikira ntakebaguzwa Yesu Kristo we musa, abe Umwami wanje mu bugingo bwanje bwose.

Amina.